REPUBLIQUE DU BURUNDI

Ministère de la Santé Publique
et de la Lutte contre le Sida

PNILP

Programme National Intégré de Lutte
contre le Paludisme

unicef
pour chaque enfant

NDI INTWARI MU KURWANYA MARARIYA

Amazina: _____

Ishure: _____

Nzohimiriza umuryango wanje ☐ ababanyi ☐ abagenzi ☐ mu kurwanya Marariya

MARARIYA NI IKI ?

*PLASMODIUM FALCIPARUM: NIWO MUGERA UTERA INDWARA YA MARARIYA.

IMIBU YANDUZA MARARIYA GUTE ?

UZUZA UTUZINGI DUKURIKIRA MWISHIMIKIJE IBIHARURO 1,2,3 BIRI KU BICAPO:

- ◯ Umuntu arwaye Marariya atarafata imiti ngo akire, aguma yandukiza iyo ndwara abandi.
- ◯ Haciye imisi, umubu wanduye uriye umuntu akomeye umusigamwo imigera ya Marariya.
- ◯ Umubu uriye umuntu arwaye Marariya, umukuramwo amaraso arimwo imigera ya Marariya. Iyo migera igaca igwiriranira muri uwo mubu imbere yo kuyanduza uwundi muntu.

IBIRANGA UMUBU UTERA MARARIYA



GUPIMA UMUGERA WA MARARIYA

SHIRA AKAMENYETSO (✓) KU NYISHU Y'UKURI

IMIBU ITERA MARARIYA NI:

1 ◯ IMIBU Y'INGABO

2 ◯ IMIBU Y'INGORE

UMUBU UTERA MARARIYA UREHA GUTE?



1 ◯ HAGATI YA O NA 10 MM



2 ◯ HAGATI YA O NA 20 MM



3 ◯ URARENZA 20 MM

UMUBU UTERA MARARIYA URAWUMVA URIKO URAGURUKA

1 ◯ NTA NA RIMWE

2 ◯ IMINSI YOSE

3 ◯ RIMWE NA RIMWE

UMUBU UTERA MARARIYA:



1 ◯ KU MURANGO

2 ◯ MW'IJORO NO MU GITONDO

3 ◯ MW'IJORO

UMUBU UTERA MARARIYA USHOBORA KUGURUKA GUSHIKA MU METERO ZINGAHE?

1 ◯ METERO O GUSHIKA KU METERO 200

2 ◯ METERO O GUSHIKA KU KIROMETERO 1

3 ◯ METERO O GUSHIKA KU BIROMETERO 10

MARARIYA BAYANDURA GUTE?



IYO UMUBU URIYE UMUNTU YARI ASANZWE ARWAYE MARARIYA, UNUNUZA AMARASO YIWE YAMAZE KWANDURA WA MUGERA.

IYO WA MUBU URIYE UMUNTU AKOMEYE, UMUSIGAMWO WA MUGERA WA MARARIYA.





...UYU NAWE AGACA AFATWA NA MARARIYA.

MWOBA MUMAZE KUBONA UMUNTU ARWAYE MARARIYA?

IMIBU IKUNDA KUBA HEHE?

IMIBU IKENERA AHARI IBIDENGERI KUGIRA ITEMWO AMAGI HABA MU BINOGO, HABA MU BIKOPO, IBIJO,...

UBUZIMA BW'UMUBU UTERA MARARIYA KUVA UKIRI IRIGI GUSHIKA UKURE



IBIRINGO VY'UKUBAHO VY'IMIBU NI IBI BIKURIKIRA:

1. UMUBU W'INGORE UKUZE NI KUVA KU ***NDWI 1*** GUSHIKA KU ***NDWI NYINSHI***
2. AMAGI NI KUVA KU ***MINSI 2*** GUSHIKA KU ***MINSI 3***
3. IKINYAGU / IVYANA VY'IMIBU NI KUVA KU ***MINSI 5*** GUSHIKA KU ***MINSI 14***
4. ICANA C'IMIBU NI KUVA KU ***MUNSI 1*** GUSHIKA KU ***MINSI 4***

KUGIRA IBEHO IMISI MYINSHI, IMIBU IKUZE IKENERA AHANTU HATOSE. IMIBU NGORE IKENERA KUNYWA AMARASO KUGIRA ITE AMAGI. IMIBU NGABO IDYA AMASHURWE N'IVYAMWA.

UMENYA GUTE KO UMUNTU ARWAYE MARARIYA?

ISHURA «EGO» CANKE «OYA» KU BIMENYETSO BIKURU BIKURU VYEREKANA INDWARA YA MARARIYA

UBONYE IKIMENYETSO KIMWE MURI IVYO BIMENYETSO VYA MARARIYA WOGIRA IKI? KUBERA IKI?

WOKORA IKI MU GIHE URWAYE?





NI VYO CANKE SI VYO?

SHIRA "EGO" CANKE "OYA" MU KAZINGI

USHOBORA KWANDURA MARARIYA MU MFUNGURWA



USHOBORA KWANDURA MARARIYA URIWE N'UMUBU

IMIBU IRAJA KURYAMA MW'IJORO

UMUGERA WA MARARIYA UBA MU BITI



NI NKENERWA KWIVUZA HAKIRI KARE

MARARIYA NIYO NDWARA YICA ABANA BENSHI GUSUMBA IZINDI MU BURUNDI



IMIBU NTIKUNDA AMAZI NICO GITUMA YIBERA AHANTU HUMUTSE

MARARIYA ITUMA UREMBA CANE UMUBIRI WAWE UKAJUGUMIRA

WOKWIKINGIRA IMIBU GUTE?

GUKORESHA NEZA IMISEGETERA

ABANA BARI MUNSI Y'IMYAKA ITANU N'ABAKENYEZI BIBUNGENZE NIBO BABANGAMIRWA NA MARARIYA KURUTA ABANDI.

IKORESHWA RY'UMUSEGETERA URIMWO UMUTI WICA IMIBU MU KURWANYA MARARIYA

EGO CANKE OYA

Shira «**Ego**» canke «**Oya**» mu tuzingi turi imbere y'amashusho

NINDE ATEGEREZWA KURYAMA MU MUSEGETERA?

ABAKENYEZI BIBUNGENZE BARABANGAMIRWA KURUSHA ABANDI



ABANA BARI MUSI Y'IMYAKA 5 BARABANGAMIRWA

BOSE BATEGEREZWA KURYAMA MU MUSEGETERA.

KUBERA IKI DUKORESHA UMUSEGETERA URIMWO UMUTI WICA IMIBU?



UMUSEGETERA WICA IMIBU



UMUSEGETERA WIRUKANA IMIBU



UMUSEGETERA URICA UKIRUKANA IMIBU

UMUSEGETERA URIMWO UMUTI WICA IMIBU USHOBORA KUMESURWA?

UMUSEGETERA URABARIGWA?



UMUSEGETERA WOKORESHWA MU BINDI KIRETSE KWIKINGIRA MARARIYA?



GUSOZERA



INYISHU Z'IMYIMENYEREZO

Urupapuro rwa 3: 3 / 2 / 1

Urupapuro rwa 5: 2
1
3
3
2

Urupapuro rw'10 : Ego / Oya / Ego
Oya / Ego / Ego
Oya / Ego / Ego

Urupapuro rwa 12: Oya / Ego
Oya / Oya
Ego / Ego
Oya / Ego

Urupapuro rwa 15: Ego / Ego / Ego
Ego / Oya / Oya
Ego / Ego / Oya

UMWIMENYEREZO

NIYEMEJE KURANDURANA N'IMIZI INDWARA YA MARARIYA

CAPA INZU YANYU WONGERE WEREKANE INGENE WOBUZA IMIBU:
1) GUTA AMAGI
2) KWINJIRA MU NZU
3) KUKURYA



IBUKA NEZA

1.Marariya ni indwara iterwa n'imibu

2.Marariya niyo ndwara ya mbere ituma abantu baja kwivuza kandi niyo yica abantu benshi mu Burundi.

3.Marariya irica n'ingoga iyo itavuwe hakiri kare.

4.Ibimenyetso vya Marariya : ubushuhe, kudegedwa (gususumira), ivyuya, kumeneka umutwe, kudahwa, uburuhe umubiri wose.
Ucumva ikimenyetso kimwe muri ivyo, nyarukira kw'ivuriro rikwegereye.

5.Marariya iravurwa igakira neza iyo ivuwe hakiri kare

6.Umusegetera urimwo umuti wica imibu urakinga Marariya iyo uwuryamyemwo imisi yose n'amajoro yose.

7.Ni nkenegwa kubungabunga umusegetera. Mesa umusegetera iyo wanduye, uwubarire aho utabutse intoboro zitaraguka.

8.Umukenyezi yibungenze araronka umusegetera ku buntu iyo aje kwipimisha imbanyi mu mezi atatu ya mbere agisama.

9.Igwirirana ry'imibu rituma Marariya igwira mu miryango yacu. Gira uruhara mu gukura ivyo vyose imibu ishobora kwarikiramwo n'ukugira isuku aho tuba.

10. Imibu irondokera aho hose hari amazi adatemba: mu biyaya biteze amazi adatemba, mu bikopo, mu bijo no mu bindi vyose birimwo amazi adatemba.

11. Ugara amadirisha n'imyango iyo bugorovye kugira mubuze imibu ko yinjira. Ababishoboye mukoreshe ubuyungiro nkingamibu ku madirisha.

Communication for Development: Grev Hunt
Illustrations: Nkundimana Maurice

IGIKORWA CO MUHIRA



IKIGANIRO MW'ISHURE KUVYO MWAKOZE MUHIRA IWANYU MU KURWANYA MARARIYA

Références:

1) WHO, Malaria, who/cds/cpc/sat.99.1 1999

2) Ministère Chargé De La Santé Guyane, Le Paludisme en jeux, 2008.